**INAMA NKURU Y'ABASHINGANTAHE**
**CONSEIL NATIONAL DES BASHINGANTAHE**
**SECRETARIAT GENERAL**
**BP 413 GITEGA**

# TUNAGURE UBURUNDI

## Ijambo ry'impanuro rishikirijwe abanyagihugu n'abategetsi bagiye kurongora ikiringo ca kabiri c'intwaro mfatakibanza.

## Itangazo n°7

Uburundi ni igihugu twarazwe n'abasokuru. Barakirinze abansi. Baragikingira ivyaduka. Bakituraga ari kizima.

Ariko muri bino bihe turimwo, Uburundi bwacu twarabutabaguye... None ubu twariko turarondera umusurusuru w'ukubusanasana, ariko ntibitworoheye.

Ni co gituma, muri iki gihe c'ibisikanya ry'abategetsi, Inama Nkuru y'Abashingantahe. yashimye gushikiriza ijambo ry'impanuro, ryofasha abanyagihugu n'abategetsi kurondera ingendo ikiza, itabandanya kwica igihugu

1. Inama Nkuru y'Abashingantahe irakebuye, imbere y'ibindi, abanyepolitike bose. Ibasaba ngo ntibisunge amoko n'amamuko mu guteranya Abarundi. Igihugu ni nk'umubiri w'umuntu. Ntushobora kuwucagaguramwo ibice, hanyuma ngo witegeko umuntu aguma ari muzima. Iyo ukomeretse ku rutoke canke kw'ino, umubiri ubabara wose. Ariko urashobora gukoresha amaboko, akagufasha kwiyuhagira umubiri wose. Amaso akagufasha vyinshi kandi ari mato.

2. Ni ko, amasezerano y'i Arusha, yaraciye ku moko ngo ashike ku mwumvikano na mutoya: Abarundi basubire kwemera gusangira intwaro. Ariko ubu ni ugutegura iyindi ntambwe. Ico Uburundi bukeneye si amoko yama ahanganye, yimbana mu mizi, gushika hamwe acika ubunywenywe. Ni co gituma ukugabura amabango y'ukurongora igihugu, bataravye ivyo igihugu gikeneye n'ico umuntu amaze; bakaraba gusa ubwoko bw'umuntu, amamuko yiwe n'umugambwe arimwo, tubigumyemwo, vyogumiza igihugu mu kaga, bikakizingamika; mbere bikakigumiza mu ndyane zidahera.

3. Ni co gituma Inama Nkuru y'Abashingantahe isavye abategetsi bose b'Uburundi, ngo bumve ko amasezerano y'ukugabura ubutegetsi, ari nk'inzira, ibwirizwa kudushikana hakurya yayo. Iki gihe c'imfatakibanza Iero, ni igihe c'ugutegurira Uburundi itegeko shingiro ridushikiriza intwaro rusangi y'ukuri : ishingiye ku gateka ka muntu bimwe vy'ukuri ; igashingira ku kurushanywa ubutore

n’ubutwari igashingira ku guhiganishwa imigambi n'imigabo, aho twohiganishijwe ukumarana. Ni igihe c'ukugarukira ineza ya bose, aho twokwitwariritse gusa abo dusangiye ivyiyumviro n'abo twamana bo nyene.

4. Aya mezi 18 lero, ni ayo ukurengera amabi twagiye turagiriranira. Ni ayo ukudoma urutoke aho inabi yaciye, kugira tuyirandurane n'imizi, Uwacumuye agasaba ikigongwe, agatanga iciru bikenewe; agaheza akarekurirwa, ariko abanje kwigaya. Igicumuro kirekurwa icese, nyene ugucumura, acigaye icese. Ahandi ho kuba ari ukurima uzikira ku rwiri, aho woruranduye.

5. Erega igituma igihugu kiba igihugu, si uko abantu basangiye akarere, imico n’ururimi vyonyene gusa. Ivyo twari tubifise vyose, ariko ntikibuza ko tubikengera, tukabitabagura, tukabimaraniramwo. Igituma igihugu kiba igihugu lero, ni amasezerano bose biyumvamwo. Agaca aha iteka n'ishaka abakibamwo. Agaha urwaruka ihangiro. Indero y'abana ikagira aho ifatira. Aya mezi 18 lero, ni ayo kutuvyarira Ibwirizwa Shingiro, ridashingiye ku guhendahendana kw’abategetsi, kumwe kwa mpa nguhe ngirira karya ndakugirire kariya; ngurana nzokwishura ejo; mwa ubwanwa, ejo nzokumwera ubundi.

6. Ni ivyo mwibonera. Ingendo y'uguteranya imigwi y'amoko n'amamuko mu vyerekeye ugutwara igihugu, yatumye Abarundi, batari bake, bashira imbere abo basangiye ubwoko n'abo basangiye intara, aho bokunze igihugu cose, bakagikorera badakebaguzwa. Iyo ngendo ikwiye guhebwa kuko yakwegeye Uburundi akarambaraye. Abategetsi bashasha lero, Inama Nkuru y'Abashingantahe irabifurije gukora, bisunga ukuronderera Abarundi bose amahoro n'iterambere; birinda gucanamwo nkuko bidasiba kuba. Babe indongozi zihumuriza. Babe abantu bihesha icubahiro, aho borondoreye ukugamburukirwa, biciye ku gitsure.Bafashe inzego, imigambwe n'imihari kuja hamwe, kugira ngo igihugu kironke ingoga z’ugushayuka**.** Imiti ikora ikoranye.

7. Kubera ivyo, Inama Nkuru yAbashingantahe, irasavye abategetsi bashasha kwitondera rwose amajambo ashikirizwa igihugu, kugira ngo abe ayo ukurondera amahoro mu buryo butomoye. Mu vy'ukuri, ijambo ryoseruka ryabanje kwihwezwa neza, rihumuriza rifasha imitima kurema: ryuba-ka,ridasambura,ridasobanura.

8. Abanyagihugu na bo, Inama Nkuru y'Abashingantahe ibasavye guca kure ingendo n'inyifato bisasira indava amacakubiri n'ukumarana. Muri bino bihe, ibihuha ni vyinshi.
   Tuvyitondere, tubigosore, tubimimine, Umuntu atware inkuru ashobora kwitura.

9. Inama Nkuru y'Abashingantahe irateye akamo Abarundi bose, ngo bahebe ingendo itugumiza mu ndwano. Igikenewe imbere y'ibindi ni umutekano kuri bose. Abariko bararwana ni basubize inkota mu rwubati, berekane ingeso nziza zotuma Abarundi b'amoko yose babizigira, ni baba bashaka gutwara. Intwaro ibereye igirwa n'ukwizigirwa. Abategetsi bashasha babone aho baca ngo barondere amasezerano y'uguhagarika vy'ukuri indwano. Maze Abarundi biruhutse.

10. Abatemera amasezerano ya Arusha na bo, baba abagumije ibirwanisho, baba abavyerekana mu majambo yabo, turabasavye baze tuje hamwe twese, twungure ayo masezerano, tuyongeremwo ibihumuriza bose. Turizigiye ko na Leta ibifiseko imigambi, kugira ifashe abashize igikumu ku masezerano ntibayigungane. Bayashikirize nyabuna abandi. Igihugu kiyagire ayaco. Kiyungure mbere. Dutebe dupfundike ingingo duhuriyeko twese. Ayo masezerano avyare Uburundi bw'ejo. Buhagurukane ubugabo, buveyo rimwe rizima. Bwiganzure ubuja, buva mu gukumirana no mu kumarana.

**Mu gusozera**

11. Inama Nkuru y'Abashingantahe isavye, Abashingantahe n'Abapfasoni bose, kwama bari ljisho ry'Igihugu. Ntibadehukirwe mw'ibanga ryabo ry'ukuba imboneza z'Amahoro mu mibano. Aho bahererereye hose, baze barakinga. Bakingire Uburundi amashano, aho yoturuka hose.

12. Abarundi twese natwe, twemere tumuguruke. Twaramugajwe n'ivyaduteranije. Ingo tuvyiganzure. Tunagure igihugu cacu. Ukunagura si ukugongora. Ni ugusubiza icuma mu ruganda. Kigasubira kuba gishasha. Ico ni co twifurije abategetsi bashasha. Kandi Urwego rw'Abashingantahe ruremeye kugira ico rutererereye muri iyo nzira.

Vyandikiwe i Bujumbura, ku wa 29/4/2003

Zeno MANIRAKIZA

Icegera c'Umukuru w'Inama Nkuru
Y'Abashingantahe

Adriano NTABONA

Umukuru w'Inama Nkuru
y'Abashingantahe

*Résumé* : Réhabilitons le Burundi

Le Conseil national des Bashingantahe invite les politiciens à respecter le contenu de l'accord d'Arusha et à s'engager réellement pour que le pays retrouve la paix.

*Mots-clés* : Burundi, armes, guerre, négociations , paix